# Amategeko agenga ugushurashuza abana

Itegeko ryarakomejwe kugira ngo hashimikirwe ku gukingira abana kugira ngo ntibarwe mu kaga ko gushurashuzwa.

Amategeko mashasha yatanguye italiki 5 Mukakaro 2021 asigura:

- yuko abantu bose bakuze bategerezwa gushengeza icaha c'ugushurashuza abana ku nyamiramabi kiretse bafise impamvu zumvikana
- abantu bakuze bari mw'ishirahamwe canke ikigo kanaka (ubrorero: ishure, ishengero canke umurwi wo gukiniramwo) bategerezwa gukingira abana akaga k'icaha c'ugushurashuzwa bashobora gukorerwa.

Kubw'ayo mategeko, ijambo *umwana r*isigura umuntu atarakwiza 'imyaka 16 canke umuntu ari musi y'imyaka 18 w'umukeha bwenge.

*ukugendana ubumuga bwo mu mutwe*, nk'uko vyiyumviriwe mw'itegeko mpanavyaha, bisigura ukugendana ubumuga bivanye n'ugukeha ubwenge, kurwara mu mutwe, gukeha ubwenge canke kubera ingwara kanaka (canke uruvangavangane rw'ivyo vyose ), bituma umuntu aba ivyo vyose:

- ukugabanura biboneka uburyo bwabo bwo kuganira hamwe n'ukubana n'abantu canke kwiga
- Gukenera gushigikirwa.

## Ivyaha vy'ugushurashuza abana

*Icaha c'ugushurashuza umwana* ni icaha co mu buryo bw'imibonano mpuzabitsina gikorerwa umwana kandi muri ivyo harimwo:

- Gufata nabi umwana
- Inyifato iyo ariyo yose y'ubuhumbu ikorerwa umwana
- Gufata ku nguvu
- Guhuza ibitsina kw'abasangiye umuryango
- Kwigisha umwana ubuhumbu mu ntumbero yo kumutegura kuzokora ubuhumbu (umuvyeyi, canke umurezi wiwe)
- Gufata umwana nk'igikoresho c'ubuhumbu
- Gushurashuza umwana incuro nyinshi

*Gufata nabi umwana* bigizwe n'ibintu vyinshi vyo mu buryo bw'ugushurashura. Mu burorero hashobora kuba harimwo:

- gukorakora ku mwana mu buryo bw'aho woba ushaka kumushurashuza
- gutuma umwana akora ku bice bikabura imibonano mpuzabitsina canke gushurashura
- gufata isanamu rikabura ugushurashura kw'umwana.

*Kumenyereza umwana (abavyeyi canke umurezi)* gufatira ku buryo abagizi ba nabi bagira imigenderanire kandi bakubaka ukwizigirwa n'abana, abavyeyi, abarezi, abigisha n'abandi bana kugira ngo begerane cane n'abana kandi bareme, bashireho akaryo ko kubashurashuza. Birashobora kugorana gusobanuka kubera inyifato ubwayo ishobora kutaba igamije gushurashuza abana canke kubagirira nabi. Ukumenyerezwa gushobora gukorerwa no kuri telephone.

## Igituma amategeko akenewe

Abana barakeneye ko abakuze baba hafi yabo kandi ko bagira ico bakoze mu kubakingira ugushurashuzwa. Ivyaha bishasha biraba ingeso hamwe n'inyifato yo kwirengagiza canke yo kunyegeza ugushurashuzwa kw'abana.

### Kunanirwa gushengeza

Umurwi washizweho n'ubwami kugira ngo ukore amatohoza y'ingene amashirahamwe atorera umuti ivyaha vyo gugushurashuza abana wasanze hari

ibintu bikomeye bidakorwa kugira ngo abana bakingirwe ivyaha vyo gushurashuzwa.''Igisata c'inyamiramabi 'muri Queensland n'igisata c'Abana, ubutungane bw'urwaruka n'ibijanye n'imico kama itandukanye (seruvisi z'umutekano w'Abana ) Itegeko ryo gushengeza icaha c'ugushurashuza. Biyemeje ko ikibano gitegerezwa kibaho neza mu mutekano ku bana kandi no kuraba neza yuko abana n'abakiri bato ari bo rwaruka bakingiwe bihagije ntibahure n'akaga.

Kugira ngo igikorwa gikomeye nk'iki gikorwe, aya ma seruvisi akeneye abantu bakuze kugira ngo bashenegeze abantu bashurashuza abana.

Mu vyigwa bitari bike vyakozwe kuri bo, Umurwi w'i Bwami warumvirije ibihe bitari bimwe aho ugushurashuzwa kw'abana kutashengejwe ku nyamiramabi canke aho ata ngingo canke intambuko zafashwe zo gukingira abana Gushengeza umuntu yiyumvirwa ko yashurashuje umwana kwarabaye canke kuriko kuraba bituma inyamiramabi zitohoza kandi zigatorera umuti ibibazo vy'ugushurashuzwa kw'abana.

Amategeko mashasha asigura yuko abantu bose bakuze bo mu kibano bafise uruhara bahabwa n'amategeko rwo gushengeza uwo ari we wese ashurashuza umwana ku nyamiramabi, kiretse bafise impamvu zumvikana zo kutabashengeza.

Wipfuza kumenya ayandi makuru ku vyerekeye 'ukudashobora gushengeza uwakoze icaha.

## kudashobora gukingira

Amategeko mashasha vyongeye ashiraho itegeko ku bantu kanaka bakuze ryo gukingira abana kugira ngo ntibashurashuzwe. Abakuze bari mu nzego z'amashirahamwe n'ibigo barafise igikorwa co gukingira abana bajejwe akaga kazwi ko gushurashuzwa.

Nimba uzi ko hashobora kuba hariho akaga gakomeye k'uko uwundi muntu akuze ari muri iryo shirahamwe ashobora gushurashuza umwana, ntibihagije ko worindira ko uwo mwana abanza gushurashuzwa kugira ngo ubibarire inyamiramabi. Ico gikorwa uhabwa n'amategeko co gukingira abana gihagaze **ku kuzitira utaronerwa** ugushurashuzwa kw'abana.

Impamvu iri inyuma y'iri tegeko ni ukuraba neza ko abantu bari mu mashirahamwe bafata ingingo bakazitira bataronerwa kugira ngo bagabanye canke bakureho burundu akaga kazwi gashobora gushikira abana. itegeko rirahana icaha co gukora icaha ku bushake canke kwirengagiza kugira ico ukoze ku cahaWipfuza amakuru akwiye ku vyerekeye ukudashobora gukinga icaha.

## Agateka

Nubwo hariho amategeko yerekeranye n'amadini, icaha ntikiriho kugira ngo gikureko agashambara umuntu, harimwo n'agateka kemewe n'amategeko y'umwuga hamwe n'agateka k'ukugira inama uwashurashuje umwana mu vyerekeranye n'imibonano mpuzabitsina.

## Ayandi makuru

Aya mategeko mashasha ashira mu ngiro ivyasabwe n'umurwi w'i Bwami kandi agize igice c'ivyahindutse vyinshi kugira ngo hashigikirwe umutekano w'abana kandi babakingire ugushurashuzwa.

Soma ibirengeye ivyo muri *mw'itegeko ry'ivyaha (uguhindura itegeko ryerekeranye n'ugushurashuza abana ) hamwe n'ugusubirwamwo kw'itegeko ryo mu mwaka wa 2020*.

gushigikira inkuru n'impanuro ku bagiriwe nabi ziraboneka kuri:

- Gushigikira abagiriwe nabi murii Queensland (Victim Assist Queensland)
- umurongo wo gufasha abana (Kids Helpline) kuri 1800 55 1800
- Igisatai kijejwe ineza y'imiryango '' y'abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander
- Gufasha abantu mu bijanye n'amategeko i Queensland hamwe n'ibindi bisata bijejwe amategeko'

Rondera izindi nkuru zirengeye izi ku bijanye:

- no gukingira abana hamwe no gushigikira abana abahuye n'ivyago vy'ugushurashuzwa
- Gukingira abana gukomoka mu nyamiramabi z'i Queensland
- igihe ushobora gushengeza nyene gukora icaha mu gisata kijejwe ''umutekano w'abana.

Queensland Government